Washington State Department of Social & Health Services
Transforming lives

DEVELOPMENTAL DISABILITIES ADMINISTRATION (DDA)

Iteguzwa ryo gukwiza imyaka mirongibiri (20) isuzumwa ry' amahirwe

Notification of Age Twenty (20) Eligibility Review

ADERESI N' IZINA RY' UMUKIRIYA

ADERESI N' IZINA RY' UMUSERUKIZI W' UMUKIRIYA

ISUBIZWA: **ITEGUZWA RYO GUKWIZA IMYAKA MIRONGIBIRI (20) ISUZUMWA RY' AMAHIRWE**

Uri mwene amahirwe mu gisata c' Ubuyobozi Bujejwe Ubumuga bg' Igikuriro (DDA). Amahirwe yawe muri DDA ategerezwa gusuzumwa imbere yo gukwiza imyaka mirongibiri (20imisi) yamavukiro. Amakuru dufise ashobora kuba adahagije kuri wewe mu kubandanya amahirwe ya DDA musi ya kimwe muri ubu buryo bukurikira: Ubumuga m' Ubgenge, Kononekara kw' Ubwonko, Indwara y' Intandara, Indwara ya Autizime, canke izindi ndwara z' ibihimba ngirabuzima **canke** Izindi ndwara zifitaniye isano n' Ubumuga m' Ubgenge. Twahometseko Imbonerahamwe y' Inyandiko Zisabga kukumenyesha amakuru akenewe.

Niki ukeneye gukora?

DDA bizoyinezera gutuma amakuru akenewe kuri rino genwabundi ry' amahirwe. Mugihe ukeneye ko DDA irungika kumakuru, urasabge kuzuzu ifishi y' amasezerano yahometsweko nkuko bikurikira:

1. Andika amazina kuri iyi fishi y' amasezerano ahantu, abatanga infashanyo, hamwe n' inyubakwa dushobora kuronderera amakuru. Shiramwo aderesi z' ubutumiranire kuri urwo rutonde rwose kuriyo fishi y' amasezerano.
2. Shirako umukono hamwe n' itariki kuriyo (izo) fishi z' amasezerano zitanzwe, kandi
3. Subiza iyo (izo) fishi kuri DDA.

Niki gishobora kuba mugihe ntishuye kuri kino gisobanuro gisabga?

Urasabga kwishura ukwariko kose vyihuta, ariko nturenze imisi 90 imbere yo gukwiza kwawe imyaka mirongibiri (20imisi) yamavukiro. Mugihe tutaronse inyishu yawe kw' igenekerezo rya _____, tuzokoresha isuzumwa ry' amahirwe yawe hakoreshejwe amakuru dufise muri dosiye yawe yo kuba umukiriya. Mugihe atamakuru ashimishije ahari yo kwemeza ingingo y' amahirwe, murico gihe amahirwe yawe kuri DDA azoca ahagarikwa kumyaka yawe mirongibiri 20imisi yamavukiro.

Niyaba ufise ibibazo ivyarivyo vyose ganira na:

IZINA	NUMERO YA TELEFONE	ADERESI YA IMERI

Ishushu ry' amategeko ngenderwako ya leta (WAC 388-823) riboneka mugihe risabge canke kurubuga rwa online kuri https://www.dshs.wa.gov/dda/consumers-and-families/eligibility.

Inkurunzitiro: Imbonerahamwe y' Inyandiko z' Isabga
Ifishi y' amasezerano (DSHS 14-012)

Batumirwashusho: Dosiye y' umukiriya

Imbonerahamwe y' Inyandiko z' Isabga

INDWARA Z' UBUMUGA	ISUZUMWA RYO GUFATA INDWARA	UMUGANGA AFATA INDWARA	IBINDI VY' AFASHWE
Ubumuga m' Ubgenge	Ubumuga m' Ubgenge	Umuganga Avyemerewe mu Myitwararike n' Imyitekererezo y' Abantu, Umuganga Yemejwe n' Ishure rya Washington canke Umuganga w' ishure ryemejwe n' Ishirahamwe ry' Igihugu ry' Ishure ry' Abaganga Bimyitwararike n' Imyitekererezo y' Abantu.	Raporo Yuzuye y' imyitwararike n' imyitekererezo harimwo amanota y' Igipimu c' Uzuye c' Ibitigiri vy' Ubgenge biruta ibinyuranyo bisanzwe bibiri musi y' insiguro, kandi n' amanota y' ibipimo vy' ubuhinga bgo kumenyera birenga ibinyuranyo bisanzwe bibiri musi y' insiguro.
Ukwononekara k' Ubwonko	Ukwononekara k' Ubwonko Indwara yo gupara riza ingingo zamaboko n' amaguru yitwa Kwadriplegiya Indwara ipara riza igihimba kimwe c' umubiri yitwa Hemiplegiya Indwara ipara riza ibihimba vy' ibikorwa yitwa Diplegiya	Umuganga w' Ibihimba Avyemerewe	Guhera imbere yo gukwiza imyaka 3, hamwe n' amakuru ashigikira ikenerwa ry' infashanyo ry' ibihimba vy' umubiri buri musi mu bice bibiri canke birenga (kuja mukazu kasugumwe, koga, gufungura, kwambara, mukugenda, canke mukuganira).
Intandara	Intandara canke Indwara zingorane mpindagurika	Umuganga y' Emejwe muvyerekeye Ubwonko	Isuzumwa ryo gifata indwara bifatiye kuri kamere y' indwara hamwe n' ibipimo muvyerekeye ubwonko, icemezo kivuye k' umuganga w' ibihimba vy' umubiri canke umuganga w' ivyerekeye ubwonko mungorane zitangengwa kandi zibandanya no kwibonekeza kandi, hamwe n' igipimo c' ubuhinga bwo kumenyera cerekana imbibe z' ubumuga mugikorwa co kumenyera zirenga ikinyuranyo ngenderwako musi y' insiguro.
Autizime (kuri DSM-IV)	Autizime canke Umurwayi wingorane za Autizime Mpindagurika Kuri 299.00 muri DSM-IV-TR	Umuganga w' Imyitwararike n' Imyitekererezo Avyemerewe, Umuforoma w' Imyimenyerezo y' Anditswe (ARNP) mubifitaniye isano na Autizime canke ikigo c' ivyerekeye igikuriro canke Abahanga Bemejwe: Umuganga w' Ubwonko, Umuganga w' Indwara zo Mumutwe, canke Umuganga w' Abana Muvyerekeye Igikuriro hamwe n' Inyifato	Igenzurwa ry' uzuye kuri DSM-IV muguhura n' ivyangombga vyose vy' isuzuma ry' indwara, ivyemezo vyo gucererwa canke ibikorwa bidasanzwe imbere yo gukwiza imyaka 3 yamavukiro mu mibano, ururimi, ubuhinga bwo kuganira canke ikimenyetso canke inkino y' ugutekereza n' ukwiyumvira, hamwe n' igipimo c' ubuhinga bwo kumenyera cerekana imbibe k' ubumuga mugikorwa co kumenyera zirenga ikinyuranyo ngenderwako musi y' insiguro.
Indwara ya Autizime Muvyerekeye ingorane z' Ukuganira (kuri DSM-V)	Indwara ya Autizime Muvyerekeye ingorane z' Ukuganira 299.00 Kuri DSM-5 harimwo inzego zohejuru 2 canke 3 kunkingi zose zibiri	Umuganga w' Imyitwararike n' Imyitekererezo Avyemerewe, Umuforoma w' Imyimenyerezo y' Anditswe (ARNP) mubifitaniye isano na Autizime canke ikigo c' ivyerekeye igikuriro canke Abahanga Bemejwe: Umuganga w' Ubwonko, Umuganga w' Indwara zo Mumutwe, canke Umuganga w' Abana Muvyerekeye Igikuriro hamwe n' Inyifato	Igenzurwa ryuzuye buriDSM-IV muguhura n' ivyangombga vyose vy' isuzuma ry' indwara, ivyemezo vyo gucererwa canke ibikorwa bidasanzwe imbere yo gukwiza imyaka 3 yamavukiro mu mibano, ururimi, ubuhinga bwo kuganira canke ikimenyetso canke inkino y' ugutekereza n' ukwiyumvira, hamwe n' igipimo c' ubuhinga bwo kumenyera cerekana imbibe k' ubumuga mugikorwa co kumenyera zirenga ikinyuranyo ngenderwako, kandi Nigipimo c' Uzuye c' Urwego m' Ubgenge FSIQ ca kimwe canke kirenga m' ubunyurane busanzwe musi y' insiguro – canke – guhura n' ibisabga vyose vy' Indwara y' Ibihindagurika ya Autizime 299.00 buri DSM-IV.
Iyindi ngorane y' ubwonko canke izindi ndwara zifitaniye isano n' Ubumuga m' Ubgenge	Indwara z' ubwonko z' imbuto kromozome zizwi mukuzanira ingaruka zubushobozi buke m' ubgenge hamwe n' ubuhinga bw' ukumenyera	Umuganga w' Ibihimba Avyemerewe	Amanota y' Igipimu c' Uzuye c' Ibitigiri vy' Ubgenge IQ biruta ibice 1.5 vy' ibinyuranyo bisanzwe musi y' insiguro, kandi n' amanota y' igipimo c' ubuhinga bwo kumenyera cerekana imbibe k' ubumuga mugikorwa co kumenyera zirenga ikinyuranyo gisanzwe musi y' insiguro.
Icitonderwa: Iyi fishi n' infashayoboro rusangi gusa kandi DDA ishobora gusaba ayandi makuru agererwako canke ayandi masuzumwa. Iyi nyandiko n' intambwe yambere m' ukugena amahirwe. Amahirwe ya DDA agenwa ku Gice 388-823 WAC.			